vermont folklife

Documenting and sharing everyday expressions of tradition, innovation, and culture.

# Menya Ivyerekeye Porogarama yigisha utugenegene tw'imigenzo muri Vermont (Vermont Traditional Arts Apprenticeship Program)

Vermont Folklife ni ishirahamwe ritegamiye reta. Dushigikira imiryango yose yo muri Vermont (abashasha n'abakera) ngo babandanye kandi berekana ibikorwa vy'umuco.

Turipfuza kugushigikira muvyo ukora biguhuza n'imigenzo y'umuco w'umuryango canke ubwoko vyawe. ( nk'akarorero: kuririmba, gutamba, kujisha, gutaka, gukora amasanamu mu biti, kubumba, kwandikish'intoke bihinyanyuye, gukora no kuvuza ibikoresho vy'umuziki). Ibi bibwirizwa kuba ibintu wigiye mu muryango wawe, mu babanyi, mu muryango werekana ko hari ivyo uhuriyeko.

Dushaka kugufasha ngo ubandanye imigenzo igufiyiye akamaro. Twizeye ko mur' uku kumenyera ubuzima hano muri Vermont uzobona uburyo bwo gukuza no gukomeza umuco wawe muri Vermont.

Hamabavu y'ubufasha ushobora kuba uriko uraronswa mu vy'uburaro, ubuvuzi, amashure n'ibindi, dushaka kuguha ubufasha mu bintu ukora vyerekana (biguhuza) akaranga k'umuco wawe. Reka tugufashe mu gusigira imigenzo yawe urunganwe rushasha.

Twamye dushigikira utugenegene tw'imigenzo muri Vermont mu myaka 30 tukaba twaratahuye ko gusigira imigenzo yacu urunganwe rushasha bifasha mu kurwanya ivyiyumviro vy'ubwigunge canke itakara ry'umuco mu gihe uriko urubaka ubuzima ahantu hashasha.

Dutanga:
- Ubufasha bw'amahera
- Ubufasha mu kurondera ibikoresho
- Ubufasha mu kurondera ikibanza
- Kuguhuza n'abandi bantu muri VT bakora ibisa n'ivyawe.
- Akaryo ko kwinjira mw'ihuriro ry'abantu bazigama utugenegene tw'imigenzo.

Menya vyinshi: www.vtfolklife.org/apprenticeship-program

Mu kumenya vyinshi, hamagara canke andikira Umurongozi Kate Haughey: 406-672-2729
khaughey@vtfolklife.org

# Uturorero tw'imigambi



Tashi shoepa - Intambo n'umuziki vy'i Tibet




Ugushona kw'aba Burma



Ugutaka kw'aba Somali-Bantu



Ubudede bw'aba Abenaki



Kujisha agakemanyi




Intambo n'umuziki wa New England